
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije



# Umuganwa Ahindutse Umwungere


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
M. Maillot; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: E. Frischbutter; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.







Umusi umwe, Mose yabonye umunyegiputa akubita umugurano w'umuheburayo. N'aho Mose yari yarezwe kandi yigishijwe nk'umuganwa kukirimba kwa Farawo, kandi yari umuheburayo. Yumva ategerezwa gufasha uwo mugurano.


Abanje kweraguza hirya no hino ngo amenye ko atawuriko aramubona, Mose aca atangura gushamirana n'uwo mukoresha w'abagurano. Babandanije bashwana, mose aca yica uwo munyegiputa. Bukwinabukwi, aca ahamba ikiziga ciwe.
3
Bukeye bwaho; Mose abona abaheburayo babiri barwana. Agerageza kubabanguranya. Umwe muri bo aca amubwira ati: "ugomba kunyica, kumwe wica umunyegiputa?" Mose aca aratinya. Bose bari bamenye ivyaraye bibaye. Na Farawo nawe nyene yari abizi. Mose yategerezwa guhunga. Aca aja mugihugu citwa Midiyani.
4
Mugihe mose yariko aruhukira impande y'ikinogo bavomamwo amazi, abakobwa indwi b'umutware w'i midiyani bariko buzuza amazi ubwato ibitungwa vya se wabo vyanyweramwo amazi.
5
Abandi bungere bariko barabirukana. Mose arabakingira kandi aca afasha abo bakobwa.
6
Yetiro se w'abo bakobwa aratangara ati: "mutashe kare cane!" Abakobwa biwe baca bamusigurira igituma, baravuga bati: "Genda urondere uwo muntu." Mose aca abana na Yetiro. Haheze igihe Mose aca arongora umukobwa w'imfura wa Yetiro.
7
Asubiye muri Egiputa, Farawo arahwera. Abantu b'Imana, abaheburayo, bari bakiri m'ubuja. Bari babayeho m'umubabaro!
Basenga basaba Imana ngo ibatabare! Imana yumva amasengesho yabo.
8


Mose ntiyari abizi, ariko Imana yari yarateguye kumukoresha mugukiza abagurano bayo b'abaheburayo. Hari haheze imyaka mirongo ine kuva Mose agiye hanze ya Egiputa. Yari umwungere w'ibitungwa vya Yetiro. Ariko ubwoko bwiwe muri Egiputa yumva adatekanye batarikumwe.
9


Umusi umwe Mose abona igisaka kiriko kirasha. Ariko umuriro ntiwagiturira ngo gitemuke. Mose afata ingingo yo gutohoza igituma.
10


Mose amaze kwegera, Imana imuhamagara iri muri ico gisaka iti: "Mose!" "Ndi hano!" "Ntiwegere cane." "Kura ibirato vyawe kuko aha hantu ari ahera."
11


Imana iravuga iti: "Nzogutuma kuraba Farawo kugira ngo ukize abantu banje bari muri Egiputa." Ariko Mose yaratinya kujayo.
12


Maze Imana yereka Mose ubushobozi bwayo buhambaye. Ihindura inkoni ya Mose ihinduka inzoka.
13


Mose amaze gufata iyo nzoka k'umurizo, ica isubira guhinduka inkoni. Imana ica imuha ikindi kimenyetso.
14

Imana imubwira iti: "Shira ikiganza cawe mugikiriza cawe," Mose aragishirayo. Ikiganza ciwe gica kirera kandi kijejetako imibembe.




Akuyeyo ico kiganza, aca arakira.




Mose aca abandanya gufukamira Imana. Abwira Imana ati: "Sinzi kuvuga." Imana ica irashavura iramubwira iti: "Nzokoresha mukuru wawe Aroni kugira avuge amajambo uzomubwira."




Mose asubira kwa Yetiro, yakira ibintu vyiwe aca asubira muri Egiputa.




Imana izana Aroni kugira ngo bahurire k'umusozi na murumunawe Mose. Mose yiganira Aroni umugambi w'Imana wo gukiza abaheburayo bari muri Egiputa. Bari hamwe, baca baja kubwira iyo nkuru abakuru b'abaheburayo. Mose amaze kwereka abakuru b'abaheburayo vyabimenyetso, baca bamenya ko Imana izobafasha. Bose, baca barafukama bahimbaza Imana.




N'umwete mwishi, Mose na Aroni baca baja kuraba Farawo. Baramubwira bati: "Imana irakubwiye ngo, rekura abantu baje bagende."



Farawo arabishura ati: “Sinzorekura ab’isirayeli ngo bagende.” Ntiyashaka kwumvira Imana. Imana yategerezwa gukoresha ububasha bwayo buhambaye kugira ngo ihindure ico ciyumviro ciwe.





Umuganwa Ahindutse Umwungere

Inkuru ivuye mw’Ijambo ry’Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Kuvayo 2-5

“Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge.” Zaburi 119:130



# Iherezo

10 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16